# Mbega mwoba muzi ico ari co ukwandagaza umuntu "ghiiba?""; ingendanyi zari ng'aho ziraheza zishura ziti: "Ihibambewe! Imana Allah n'Intumwa yayo, ni Bo Bazi gusumba inyishu y'ico kibazo"; ica yishura iti: "Ni wewe kuyaga kuri mwenewanyu ivyo adakunda ko womuvugako

Mu vyakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Mbega mwoba muzi ico ari co ukwandagaza umuntu "ghiiba?""; ingendanyi zari ng'aho ziraheza zishura ziti: "Ihibambewe! Imana Allah n'Intumwa yayo, ni Bo Bazi gusumba inyishu y'ico kibazo"; ica yishura iti: "Ni wewe kuyaga kuri mwenewanyu ivyo adakunda ko womuvugako"; haca hagira ingendanyi ibaza ivuga iti: "Ubona gute mu gihe ivyo mvuga kuri mwenewacu, vyoba ari ivy'ukuri?"; ica yishura iti: "Mu gihe ivyo umuvugako vyoba ari ivy'ukuri, aho rero ni ho uzoba umwandagaje koko, nayo ivyo umuvugako nivyaba atari vyo, uzoba umwambitse ibara mu kumukorera inteba ishushe".

[صحيح] [رواه مسلم]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aratomora insiguro nyayo y'ukwandagaza umuntu kuzirirjwe "ghiiba", ko ari ukuyaga ku mwislamu mutari kumwe ivyo adakunda ko umuyagako, vyaba ari ibijanye n'ukungene aremye canke uko ateye mu ngeso; nko kuba akanura imirazi, akoresha urwenge mu mirimo yiwe ya misiyose no kuba ari umubeshi ruhebwa, n'ibindi nk'ivyo bijanye n'indemo canke ingeso mbi afise, n'aho yoba koko ariko aremye canke ateye. Nayo iyo nya ndemo canke inyifato amuvuzeko atariko aremye canke ateye, ico kiba ari ikizira kikaziririzwa cane gusumba ukumwandagaza "ghiiba", kikaba ari na co caha bita "buhtaani", bisigura kumwambika umuntu ibara mu kumukorera inteba ishushe mu kumuvuga uko atari.